# UBUTUMIRE

Uburongozi bw'abarundi baba muri Queensland buri n'iteka ntangere ryo kubatumira mu birori vyo kwakira bamwe mu ndongozi z'igihugu c'Uburundi zizotugendera zirongowe n'umutambukanyi w'umukuru w'Igihugu c'Uburundi nyakubahwa Rev. Denise Nkurunziza hamwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'uburundi n'ayandi makungu Amb. Ezechiel Nibigirana.

Mu bizoba bibazanye harimwo kuganira n'abarundi no kubagarira imigenderanire y'Igihugu c'uburundi na Australia. Kubera uwo munyacubahiro asanzwe ari umukozi w'Imana ategekanya kugaburira abantu bose, abarundi n'incuti z'abarundi zose amajambo y'Imana.

Bakaba bazoshika mu gisagara ca Brisbane ku magenekerezo ya 1 Myandagaro 2019 kugeza 5 Myandagaro 2019.

Ku magenekerezo ya mbere n'aya kabiri abo bashitsi bazobonana nabaserukira abandi mu migwi itandukanye.

Ku magenekerezo ya gatatu (3) Umutambukanyi w'umukuru w'Igihugu azogabura amajambo y'Imana.Ikibanza ni**: LIGHT HOUSE EVENT & COMMUNITY CENTRE, 65 WOOGAROO STREET, FOREST LAKES QLD 4078 Time 09:00 to 14:00**

Hanyuma mu masaha y'umuhingamo kuva saha 5pm gushika saha 8pm abo bashitsi bakaba bazobonana n'abantu bose bavyipfuza harimwo n'abantu bo mashirahamwe atandukanye hamwe na bamwe bo muri reta harya muri Parliament House.

Hanyuma amagenekerezo ya kane 4 Umutambukanyi w'umukuru w'Igihugu azogabura amajambo y'Imana harya kuri **Logan Metro Indoor Sports & Events Centre, 357 Browns Plains Rd, Crestmead QLD 4132. Amasaha: kuva 09:00 AM kugeza 2:00 PM.**

Tukaba tubasavye kwitabir'aka kamo mutewe kandi mukararika n'incuti zacu ziva muyandi ma communauté kuza kumva Ic'uyo mushitsi azoba yadutekereye kuriyo imisi yagatandatu no kuwamungu.

Turangije tubashimira  kukigoro muzogira, murakoze.

Uwurongoye Queensland Burundian Community,

Innocent Nsengiyumva.

*I.Nsengiyumva*